# Irengagize ivy'isi mu kutabihurumbira, Imana Allah Izogukunda; uheze wirengagize n'ibiri mu minwe y'abantu mu kutabihahamukira, abantu na bo bazoheza bagukunde

Mu vyakiriwe na Abu Al'Abasi Sahli mwene Sa'di Al-Saa'idiy (Imana Allah Imwishimire) yavuze ko higeze kuza umugabo umwe ku Muvugishwamana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) aca amubwira ati: "Ewe Ntumwa y'Imana! Nyereka ikintu mu gihe nogikora, Imana Allah Yoca Inkunda hanyuma n'abantu bakankunda". Aca yishura ati: "Irengagize ivy'isi mu kutabihurumbira, Imana Allah Izogukunda; uheze wirengagize n'ibiri mu minwe y'abantu mu kutabihahamukira, abantu na bo bazoheza bagukunde"".

[قال النووي: حديث حسن] [رواه ابن ماجه وغيره بأسانيد حسنة]

Hari umugabo yigeze kubaza Umuvugishwamana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) ko yomwereka ikintu mu gihe yogikora, Imana Allah yoca Imukunda, maze n'abantu bagaheza bakamukunda, (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) aca amwishura ati: Imana Allah Izogukunda igihe wirengagije ivy'isi mu kutarondera ivy'umusesekara, ibintu ata co bizokumarira mu buzima bw'inyuma yo gupfa, hamwe rero no kureka birya vyose vyokubangamira mw'idini ryawe, n'abantu nyene bazogukunda igihe wirengagije ibiri mu minwe yabo mu vy'isi; kuko muri kamere kabo badakunda uwuhahamukira ivyo bafise, ku buryo uwubibateyeko baca bamwanka urunuka, uwubibarekeye na we baraheza bakamukunda.



النجاة الخيرية
ALNAJAT CHARITY
لجنة الدعوة الإلكترونية
EDC E-Da'wah Committee